**A WEDDING IN CANA / FAITH OF MARY**
John 2:1-11
Lesson 77
Memory verse: "*Have I been with you such a long time, and do you not know me, Philip?"* **John 14:9a**

**UBUKWE BW'I KANA. / UKWIZERA KWA MARIYA**

**Icirwa ca 77**

**Yohana 2:1-11**

Ijambo ngenderwako : « ***Mbega ko nabanye nawe igihe kingana gitryo, nturakaruha umenya ga Filipo ? »*** **Yohan. 14:9b**

## I. Intangamarara

Nkuko vyamye, imiryango yaratumiranira mu manza z'ubukwe bwo kurongora canke kurongoza. Aha muri iki gisagara hari urubanza rw'ubukwe. Mariya na Yesu baratumirwa mu ruhande rw'umukwe. Yesu yajanye n'abigishwa biwe.

Ibikorwa vya Kristo vyabonekamwo : ibitangaza, utwumiza n'ibimenyetso. Aha i Kana habaye ikimenyetso. Yabikoze ngo amenyekanishe ubwiza bwiwe kandi n'abigishwa biwe babone ikibemeza ko ari we Kristo, bamwizere.

## II. Ishusho y'ubukwe.

Ukuza kwa Mesiya kugereranya n'ubukwe bw'umusore n'inkumi. **Yes 62:5** « *Nk'uko umusore arongora inkumi, niko abakubamwo bazokurongora ewe Yerusalemu, kandi nk'uko umukwe anezerererwa umugeni, ni ko Imana yawe izokunezerererwa.* » **Mat. 22:8-9** « ubukwe burateguwe…baze babutahe. » Ni naco catumye Kristo atanguza kwerekanira ibimenyetso mu bukwe.

Muri iki gihe umusore yarashobora kumenya uwo abavyeyi bamushimiye. Bamaze gutanga inkwano, baca bategura urubanza. Cari ikidakorwa kwiyumvira kurongora inkwano zitaratangwa. Mu migenzo y'aba Kristo, uwutarariha inkwano ntakwiye guhabwa ijambo. Hari ibihugu atemerewa no kuja kuroreza umupira w'amaguru kukibuga. Ubukwe bwaba urubanza runini kandi bwatangura k'umugoroba. Umukobwa yava iwabo yambaye neza n'urugori rw'amashurwe mu mutwe bakamuzana mu nzu y'umusore, abatumiwe bagahaguruka bagakoma amashi. Uku niko bizoba Yesu atwaye umugeniwiwe.

**III. Umuvinyu urakamye**

Abenshi barakunda gukoresha umuvinyu mu manza. Uyu muvinyu bawukunda kuko wari umuti ku barwaye inrwara zo munda n'ibikomere. Nico catumye Pawulo yemerera Timoteyo kunywa umuvinyu muke, atiri kuntumbero yo kwinezereza ; ariko kuko yari arwaye ibikomere muri Estoma.

Wa musamaliya w'imbabazi niwo yokeresheje mu kuvura uwakomerekejwe n'abambuzi. **Luk. 10:34ₐ** *« Aramwegera, amupfuka inguma, amusomoza amavuta ya Elayo n'umuvinyu,… »* Ni ivyumvikana ko atawokoresha inzoga zo mu bubare mu kuvura ibikomere. Aba bavuze ko uwo bahawe na Yesu uryoshe kuko we yabahaye uwudasa n'uwo basanzwe bakora barinze kuberera. Ijambo ry'Imana rirabuza ibiboreza. **1 Tesal. 5:6** « *… ariko twame tugavye, twirinde ibiboreza. »*

**IV. Igisabo ca Mariya.**

Cari igitutsi k'umuryango w'umuhungu, ibinyobwa guhera ; urubanza rukibandanya. Mariya ntiyagiye k'umugabo wiwe Yosefu ngo agire ico amusaba gufasha. Yashikiriye umwana wiwe Yesu kuko yari asanzwe amuzimwo ububasha. Yesu yamwishuye ngo duhuriye he ga muvyeyi ? Aha niho amashengero amwe ahera amwita **umwamikazi w'ijuru.** Bizera ko ashobora no kubasabira kuri Kristo. Baremeza ko yagumanije ubusugi bwiwe. Ni ubuzimire kuko ; yabana n'umugabo bashingiwe. Kandi nta rindi zina ryahawe abantu munsi y'ijuru atari irya Yesu. Ntawundi yumva ibisabisho vy'abantu atari Kristo. Mariya yarapfuye ntakiri kw'isi. Yicaye mu gikiriza ca Aburahamu. Ntiyahawe igikorwa co kuvugira abantu bakiriho.

Iyi ngorane yo guhera kw'ibinyobwa ; yatewe n'umbwinshi bw'abantu muri uru rubanza. Nico gituma ishengero risaba uwutegura ubukwe, kwisunga uburyo afise. Bibaye ngombwa, ubugeni barabuhezagirira mu hira iwe naho hoba k'umugoroba bavuye mu bikorwa vyabo. Haca hakoreshwa uburyo buke. Igikenewe ni uko aba yaratanze inkwano agashingirwa muri Leta. Igikorwa c'ishengero ni uguhezagira ubukwe. Ugusesagura ni igicumuro.

**V. Ico ababwira mugikore. Igiki ?**

Na Mariya ntiyari azi ingene aza kubigeza ngo umuvinyu uboneke ariko, yari yizeye ko uko yobigenza kose, awuronka aho nyene atarinze no guhaguruka. Vyatewe nuko babana nawe kandi amwizeye. N'aba bakozi ntibatinye kudaha ayo

mazi bahejeje gushira mu mubindi ; bakayashira umuteretsi. Nabo bari bizeye. Iyumvire ingaruka iyo asanga bamuhaye amazi.  Nico gituma nawe niba ubana na Yesu ; usabwa ku mumenya neza ukamwizera.

**VI. Gushira mu ngiro**

Ni kenshi umuntu aba mu bibazo vyo kubura (amafaranga, uruvyaro, amagara meza, aho kuba, imyambaro…) nta wundi wo kubitura atari Yesu. Uko yujuje imibindi igaragara umuvinyu ; niko azokuzuza umunezero umutima wawe mu kuguha ico umusavye.

Ntibikwiye ko umera nka Filipo yabanye na Kristo igihe kingana gitryo, akaba atari bwa mumenye. Musabe udakekeranya nkuko Mariya yabikoze. Nk'uko igikorwa ciwe catanguriye k'ubukwe niko kizososozererwa n'ubukwe bwiwe n'umugeni yakoye. Uyo ni wewe wewe wamwizeye. Ico agusaba gukora ni ukumwumvira ; ugasenga akagukiza ivyaha.

Niba wipfuza kuzoba muri ubwo bukwe, birashoboka. Ugusenga ni amababa ajana ivyo usaba mw'ijuru. Bikore ubu nyene.

**JESUS CLEANSED THE TEMPLE**
**John 2:12-25**
Lesson 91
Memory verse: “*I also tell you that you are Peter, and on this rock, I will build my assembly, and the gates of Hades will not prevail against it.. ”*
**Math.16 :18**

**YESU AHUMANURA URUSENGERO**

Icirwa ca 91

**Yoh. 2:12-25**

Ijambo ngenderwako : « ***Nanje ndakubwira yuko uri Petero, kandi kuri urwo rutare nzorwubakakao ishengero ryanje, kandi amarembo y’i kuzimu ntazorishobora.*** » **Mat. 16:18**

## I.Intangamarara.

•Igikorwa cazanye Yesu mw’isi kwari gutunganya vyose neza kugura ab’isi bose bamenye Imana y’ukuri n’uwo yatumye Yesu Kristo ; aho babe baronse ubugingo budashira.
Umwami Yesu yinjiye muri uru rusengero, asanga bariko barudandarizamwo inka, inuma, abavunja amahera.

Abisilayeli bavuye mu mihingo myishi (Mubugiriki, i Roma, muri Egiputa...) baraza gusengera i Yerusalemu. Bikabasaba ko bavuja amahera yabo mu mamashekeli y’Abisilayeli.Kandi vyabasaba ko batanga ibimazi vy’ibitungwa nk’uko Uhoraho yari yarabishinze. **Gusubir. 12:6**.

Aha abaherezi baciye bahitamwo gushira isoko m’urusengero kugira abavuye kure baze baragurira ibitungwa aho, bashobore no kuvunjisha amahera yabo bitabagoye. Banka ko basubira inyuma badatanze igitungwa canke amahera.

Ibi bibabaza Yesu cane, aca atsiba igitsibo atangura kubahindira hanze. Yariko akubura urusengero.

•Mesiya ntiyazanywe no gushigikira imigenzo y’idini ; ariko yaje kubaka urushengero arirwo umutima w’umuntu. Yitanze k’umusaraba, aricwa,

arahambwa, azuka k'umusi ugira gatatu kugira uwugomba kumenya Imana Uhoraho bimworohere. Amategeko yari aremereye yananiye n'abayahawe.
•Urudangaza nk'uru rwarabaye mw'ishengero gatolika aho kugira ugiririwe ikigongwe c'ivyaha ; wasabwa gutanga amahera canke igitungwa (Indiligence) Uronse make ; bakubwira ko ubabariwe bike, ibindi bizokuvako uzanye ayasigaye. Martin Luter niwe yabisize ahabona, havyuka amatati muri iryo dini, arinaho havuye ishengero rya mbere ry'igipoloti EGLISE LUTHELIENNE.

## II. Yesu yihishurira mu gikorwa.

**1.** Arababwira ati : « Ntaco muhindura inzu ya Data inzu y'akaguriro » ibi yabivuze imbere y'abakuru b'i Sinagogi. Baratangara kuba ayise inzu ya Se.

**2**. Yesu yihishurira Abayuda aho bamubajije bati : « Utwereka ikimenyetsi ki ; gituma ukora ivyo ? Arababwira ngo musambure uru rusengero… » Uwo bari bazi ko yobahangara agasambura ibintu vyabo, yari Mesiya. Aha vyabateye kumwibazako cane. Babonye ivyo akoze, bafata umugambi yo kuzomwica bakamwikiza.
Abafarizayo barabona ko azohava abakuririraho porogarama yo kwakira no kwirira ibitungwa. Muvyo bamureze, bavuga ngo : yasambuye isoko yo m'urusengero.

▼. Ishengero si ikibanza co kurondereramwo ubutunzi bw'isi. Ni ikibanza co guhinduriramwo abantu kuba abigishwa ba kristo. Kugira ubishikeko, bizogusaba gutanga n'ivyawe.

3. Yesu yerekaniye ububasha bwiwe no muri runo rusengero. Yabwiye Petero ati : « Kandi *kuri urwo rutare nzorwubakakao ishengero ryanje, kandi amarembo y'i kuzimu ntazorishobora*. » yavuga ko abazokwizera inyigisho z'intumwa, aribo nshengero ryiwe.
Abo nabo birasabwa ko baba bafise ahantu hazwi bahurira kugira bige, basenge, bahimbaze Imana « Inyubako y'urusengero » Umwana wo mw'ibarabara nta ndero runtu agira. Arico gituma ico kibanza co guhimbarizamwo Imana gitegerezwa kwubahwa.

Si vyiza ko ibikoresho bikora m'urusengero bijanwa gukora mu bindi bikorwa. Canke ngo m'urusengero hakorerwe ibindi bikorwa atari ivyateguwe n'ishengero. Ivyo bisa no kubihumanya.

## III. Gushira mu ngiro.

Kugira ngo akubure urusengero vyamusavye kubanza gutsiba igitsibo arakubita, arahenagura, aravuga. N'ubu niba yoza kugendera ubuzima bwawe, ivyiyumviro, umutima wawe, inzu yawe... Vyomusaba gukoresha inguvu nk'izi ?
Urasabwa kuraba ivyuzuye umutima wawe. Yoba ari ishari, inzigo, ivyipfuzo vy'ubusambanyi, …. Birashoboka ko ukeneye Yesu ngo aze abihindire hanze. Mwemerere yinjire m'ubugingo bwawe. Hamwe no gusenga, vyose bishobokera uwizeye.